# Kwivanga kw'amakungu mu Miryango

Uko wotanga amakuru yo guterwa ubwoba no gukangwa bivuye muri za reta z' amakungu

**Urupapuro rw' amakuru** / Ukwezi kwa gatatu 2023 **afp.gov.au**

## Itangiriro

Kwivanga kw'amakungu bizana iterabwoba rikomeye ku mutekano w'abaturage ba Australia, ubutavogerwa n'umutekano, n'ubusugire bw'inzego z'igihugu cacu. Guterwa ubwoba bivuye mu makungu ntabwo biri gusa mu gice kimwe c'imiryango ya Australia canke ngo bikorwe n'igihugu kimwe. Abakoreshwa n'amakungu afise intumbero mbi(ibihugu bikora ibikorwa by'ubugizi bwa nabi ku bindi bihugu) barema uburyo kandi bagashaka amahirwe yo kwivanga mu banya Australia bafata ibyemezo mu bisata vyose vya leta no mu bikorwa vy'igihugu, harimo: ibigo bya demokrasi; uburezi n'ubushakashatsi; itangazamakuru no guhana amakuru; ibikorwa bikomeye vy'ibanze; n'ikingezi cane bigafata ku miryango yacu iva muyandi mamuko n'indimi zitandukanye(CALD).

## Kwivanga kw'amakungu mu miryango

Kwivanga kw'amakungu mu miryango bisigurwa nko guterwa ubwoba n'ibikangisho biyobowe, bigahagarikirwa canke bigaterwa inkunga mu buryo bw'amafaranga na leta z'amakungu kandi bikibasira imiryango iva mu yandi mamuko canke mu bindi bihugu bavuga n'izindi ndimi kugirango bagirirwe nabi kandi bizane ingaruka mbi mu mibereho yo kubaho nk'imiryango ya Australia ikomoka mu moko yose. Reta z'amakungu zishobora kwivanga mu miryango kubera impamvu nyishi:

- gucecekesha ikosorwa ry'imikorere y'imbere no hanze vya leta z'amahanga
- gukurikirana ibikogwa( binyuze ku ngurukanabumenyi no ku buryo butari ingurukanabumenyi) abantu bakomoka mu bindi bihugu batuye muri Australia
- guteza imbere ivyiyumviro n'imikorere ya leta z'amakungu
- gushaka amakuru afise umumaro kuri leta z'amakungu
- guhindura ivyiyumviro n'imiterereze by'abantu muri rusange.

## Kwivanga kw'amakungu mu miryango bishobora kuba mu buryo butandukanye

Harimo:

- Gukubita canke gukangishwa gukubitwa
- Gukangishwa guteshwa agaciro udakoze ibyo usabwa gukora
- Kunyerezwa, gufatwa binyuranyije n'amategeko canke kwamburwa uburenganzira bwo kwidengevya

- Kugendagendwako no gukorwaho utabigomba canke gukoresha uburyo bugezweho nka telephone yo muntoki umuntu areba ibyo ukora byose
- Guhatira umuntu ibintu utera ubwoba umuryango we canke abo afise aho ahuriye nabo bari hanze ngo bamuhate yemere ivyo asabwa.
- Amakuru ayobya ku ngurukanabumenyi atangwa ku bwinshi anyuze ku mbuga ngurukanabumenyi asebya umuntu canke igice c’abantu.

Vy’umwihariko, kugirango habeho kwivanga kw’amakungu binyuze mw’itegeko mpana byaha, igingo ya 1995(Cth), igikorwa kigomba kuba gifite aho gihurira na leta y’amakungu canke abo ikoresha. Mu gusuzuma igikoze icaha, inzego zishira amategeko mu ngiro zireba niba zakurikiza ivyaha biteganywa na leta ya Australia canke intara zayo.

## Ninde utotezwa?

Leta z’amakungu zishobora gutoteza:

- Umwenegihugu wa cera canke wubu utuye muri Australia
- Umunyepolitike canke abaharanira agateka ka kiremwa muntu
- Abatavuga rumwe n’ubutegetsi
- Abanyamakuru
- Abahanganye muri politike
- Ibice by’abantu banyamuke ku bwoko canke idini.

## Nakora iki kugirango mfanshe?

Nubwo atari amakuru yose yo kwivanga kw’amakungu mu miryango azatuma Polisi ya Australia(APF) igira ico ikora, buri makuru **afasha mu gutanga ishusho** yuko ibibazo birimwo biza.

Buri mpugenge na/canke ibikorwa byo kwivanga kw’amakungu mu miryango gushobora kumenyeshwa biciye **k’Umurongo Uhoraho W’Umutekano(NSH)**.

- NSH ikora amasaha 24 ku munsi, iminsi 7 mw’iyinga kandi niwo murongo w’ibanze wo kumenyesha impugenge zerekeranye no kwivanga kw’amakungu gushobora kubaho mu miryango.
- Abakozi ba NSH bazamenya ico gukora ku makuru watanze, naho bikwiye, bageze amakuru ku nzego zishira amategeko mu ngiro n’inzego z’umutekano ngo zikokore isuzuma.
- Abakozi ba NSH bazafata guhamagarwa kwawe nta kujenjeka kandi amakuru yakiriwe azafatwa nk’aya gaciro.
- Tuziko gutanga amakuru ateye amakenga bishobora kuba intabwe ikomeye. Twubaha cyane uburenganzira bwawe bwo kubikirwa ibanga.
- Bitewe n’imiterere y’amakuru yawe yitonderwa, ntabwo uzasubizwa ku byavuyemo binyuze mu guhamagara canke email.

Amakuru utanga wasanga ariyo abura kurgirango Polisi ya leta ya Australia ishobore kubuza ibikorwa vyo kwivanga vy'amakungu mu miryango.

Hari inzira nyinshi zo kugera kuri **NSH:**

- **Hamagara: 1800 123 400**
  - Hanze ya Australia: (+61) 1300 123 401
  - Ku bafise ubumuga bwo kumva/For TTY users (hearing impaired users): 1800 234 889
  - **Niba ushaka umusiguzi, hamagara serivisi zo gusigura mu rurimi rwawe kuri 131 450 ubasabe guhamagara umurongo uhoraho wa NSH**
- **Tuma ubutumwa kuri telefone ngendananwa - SMS**
  - Ohereza amakuru ukoreshe kohereza ubutumwa kuri telefone ngendanwa 0498 562 549
- **Email**
  - Ohereza amakuru kuri email: hotline@nationalsecurity.gov.au
- **Tuma ukoresheje iposita (Post):**
  - Ohereza ibaruwa kuri iyi address:
    National Security Hotline
    Department of Home Affairs
    PO Box 25
    Belconnen ACT 2616

## Izindi nzira

Ushobora na none gutanga amakuru y'amakenga yawe biciye mu nzira zitandukanye aho bikwiriye.

- eSafety(umutekano w'ingurukanabumenyi) ifasha gukura ibintu bisebanya canke bitesha agaciro cane kw'ingurukanabumenyi. Ushobora gutanga amakuru yo gutesha agaciro binyuze ku ngurukanabumenyi kwa eSafety Commissioner kuri esafety.gov.au/report.
- Niba wumva utewe ubwoba canke wumva udafite umutekano mu buryo ubwo aribwo bwose, ushobora guhamagara:
  - **Polisi - kuri 000 ku iterabwoba ryako kanya**
  - **Polisi - kuri 13 14 44 kugirango polisi yite ku bibazo bidakanganye ku buzima bw'umuntu.**
- Ushobora gutanga amakuru ku makosa akurikiranwa na leta nkuru ya Australia kuri Polisi Nkuru ya Australia biciye ku ngurukanabumenyi wuzuza iyi fomu forms.afp.gov.au/online_forms/report_a_crime. Ku makuru yandi kubigize icaha gikurikiranwa na leta nkuru ya Australia, reba ku rubuga rukurikira afp.gov.au/contact-us/report-commonwealth-crime#What-is-a-Commonwealth-crime.
- Buri muntu wo mu muryango ashobora gutanga amakuru agendanye n'bikorwa bikekwa kuba abakora ubupererezi bwo mw'ibanga canke ibikorwa vyo kwivanga vy'igihugu c'amakungu, bavugana n'umwe mu bakozi ba Polisi Nkuru ya Australia (harimo n'umupolisi uva mubashinjwe guhuza Polisi n'imiryango- Community Liaison Team).

## N'iki nakwitega mugutanga amakuru yo kwivanga kw'amakung mu miryango?

Polisi ntabwo yakora iperereza amakuru yose yo kwivanga kw'amakungu mu miryango.Guhamagara kose gukozwe kuri NSH canke amakuru yo gukora icaha asuzumwa bigendanye n'umwihariko wa buri makuru kugirango icaha kimenyekane. Ibyavuye mu makuru harimo:

- Hashobora kutaba igikurikiraho kuko icavuzwe kidafise ibasabwa bigendanye n'amategeko kugirango polisi igire ico ikora
- Polisi nkuru ya Australia(AFP) ishobora gukora iperereza
- Serivise iyo ariyo yose ya Polisi canke igisata cindi ca leta gishobora kubikurikirana.

Ku vyaha bikorewe hanze ya Australia, hari imbogamizi zigendanye n'ubushobozi bwo gufata ivyemezo bigendanye n'amategeko.

## Ubwoko bwo guterwa ubwoba

### Niba utewe ubwoba amaso ku yandi

- Andika canke ufate amajwi yuko watewe ubwoba nkuko byavuzwe.
- Andika ibintu byose bishoboka biranga umuntu waguteye ubwoba(izina, igitsina, uburebure, ibiro, umusatsi, n'ibara ry'ijisho, ijwi, impuzu, canke ikindi icyo aricyo cyose kimutandukanya n'abandi.
- Menyesha iterabwoba polisi.

### Niba utewe ubwoba kuri telefone

- Niba bishoboka, cira isiri abari hafi kumva no guhamagara polisi.
- Fata amajwi uko guhamagara niba bishoboka.
- Andika neza neza amajambo yiterabwoba.
- Fata kopi canke ifoto y'amakuru agaragara kuri telefone inyuma ahagarara.
- Ube uboneka ku murongo kugirango uvugane na polisi ku ido n'ido.

### Niba utewe ubwoba biciye mu butumwa bwo kuri telefone ngendanwa, ku mbuga ngurukanabumenyi canke email

- Ntugasibe ubutumwa.
- Capa, gufata kopi, screenshot(ifoto ya screen), canke ufate kopi y'amakuru y'ubutumwa (umutwe w'amajambo, itariki, igihe, uwohereje, n'ibindi.). Kora ku buryo ufata kopi y'ubutumwa canke ufotore ubumtumwa kuri screen bumara igihe gito.
- Uwo mwanya menyesha polisi ko wagizweho iterabwoba.
- Bika ibimenyetso vyose vyo mw'ikorana buhanga(electronic).

**Irinde uburyo butandukanye bwo guterwa ubwoba, ukoresheje ibi bikurikira:**

- Ntuze wugurure ubutumwa bufise ibindi bifasheko ugomba kugurura buciye kuri telefone canke computer(email) utazi uwaburungitse
- Ntukavugane n'abantu utazi canke abantu utarondeye wowe wenyine
- Ugomba gushira uburinzi bwo hejuru muri telefone canke computer n'amakuru yawe ushiraho
- Abagizi ba nabi bo kuri bo mbuga ngurukanabumenyi bashobora kwinjira mu bikoresho vyawe bagakoresha amakuru yawe mu buryo bubi
- Hita ushaka banki yawe kugirango urinde amakuru yawe ku bajura biba imyirondoro y'abantu
- Koresha interuro y'ibanga ikomeye kandi ntukayikoreshe ku mbuga nyinshi
- Koresha programu irinda ibikoresho byawe ibitero canke virusi(anti-malware and anti-virus) zitera ibikoresho ukoresha kandi izo programu zibe zijanye n'igihe buri gihe
- Uje buri gihe ushira ibikoresho vyawe ku gihe(system and software updates)
- Koresha uburyo bwo kwirinda ukoresha uburyo bubiri bwo kwinjira (two-factor auntentification)
- Koresha uburyo bwo kurinda ibiri mu bikoresho vyawe buri gihe(backup data regularly)
- Rinda ibikoresho ngendanwa
- Shiraho uburyo bwo gutekereza no gusobanukirwa umutekano wo kuri murandasi
- Ku makuru yandi, sura uru rubuga cyber.gov.au.